KIRUNDI

EPATITE C
HEPATITIS C

N'iki bita Epatite C?

- Epatite n'indwara ituma igitigu kivyimba (ububare n'ukuvyimba).
- Epatite ishobora guterwa n'ubucafu bwo mu nganda, ibiyayuramutwe, inzoga zikaze nyinshi canke ico bita 'viruses'.
- Epatite C iterwa na virusi yico bita 'hepatitis C'; har'ubwoko bwinshi bw'iyo virusi.
- Hafi igice ca kane c'abantu banduye bazokira iyo virusi mu mezi atatandatu.
- Abasigaye bazogumana iyo virus ubuzima bwabo bwose, abandi murabo igitigu kizokwononekara canke agire kanseri y'igitigu haciye imyaka myinshi.

Ibimenyetso vyerekana k'umuntu yanduye n'ibihe?

Kenshi ibimenyetso biseruka haciye igihe kirekire wanduye epatite ya virusi C . Bimwe mu bimenyetso ni nkibikwirikira:

- Uburuhe
- Kubura akayabagu
- Iseseme n'ukuyorwa
- Ububabare mu mbavuz'uburyo
- Inyonko
- Ubabare mu ngingo
- Kwama wijiriwe kandi ukama wihebuye.

Epatite C yandukira gute?

Epatite C iba mu maraso y'umuntu yanduye. Iyo virusi ishobora kwandukira mu buryo bukwirikira:

- Ivyuma bidasukuye bakoresheje mu gutera ishinge, mukubaga, mugukura amenyo, canke mu kwicisha amagagwe (tattooing)
- Amaraso bahaye uwundi afise virusi ya hepatitis C. Amaraso bakoresha mu guha abandi muri Australiya babanza kuyapima Epatite C
- Ukoresheje ibintu vy'uwundi, asanzwe afise epatite C nk'inzembe n'imijigiti (bishobora kuba biriko amaraso)
- Rimwe na rimwe iyo virusi ishobora kwandukira umwana w'umukenyezi yibungenze afise epatite canke akivuka. Ukwandukirwa bizoshika n'ingoga iyo umuvyeyi aheruka kwandura vuba. Epatite C ntiyandukira mu kwukonsa, kiretse harimwo amaraso mu maberebere.
- Ni gake Epatite C yandukira biciye mu biciye vy'irondoka, ariko bizoshika hagize uwoba afise ikintu c'amaraso.

Bapima gute Epatite C?

- Iyo bapimye amaraso barashobora kumenya ko wigeze kwandura ivirusi ya Epatite C. Urashobora kumara amezi atandatu waranduye imbere yuko igipimo c'amaraso gitora epatite C.
- Igipimo c'amaraso kirashobora kwerekana ko ata virusi(indwara) ikiri mu mubiri wawe.
- Ibifasha kurwanya Epatite C biri mu mubiri (biva mu sanganyamubiri irwanya indwara) bizoguma mu maraso yawe naho ata virusi uzoba ugifise.
- Iyo ufise ibirwanya epatite C mu mubiri wawe, hanyuma virusi ikaba ikiri mu mubiri wawe,muganga wawe ashobora kukurungika k'umuganga kabuhariwe canke kw'ivuriro.

Bavura gute Epatite C?

- Bavura kugira bakure mu mubiri wawe EpatiteC. Iyo bakuvuye bimara hagati y'amezi 6 n'amezi 12, kandi bikorwa n'amavuriro yagenewe kuvura igitigu.

Iyo ufise epatite B uzomererwa neza:

- Wirinze kunywa inzoga zikaze
- Ufunguye indya zitunganijwe ku rugero, at'amavuta menshi zifise
- Ugira imyimenyerezo myinshi
- Uruhuka iyo wumvako unaniwe.

Ni nkenerwa cane ko wokwama wisuzumisha kwa muganga wawe.

Mbe ni nkenerwa ko nobarira umuntu ko mfise epatite C?

Ntibikenewe k' ubarira umuntu k'ufise epatite C, kiretse iyo uriko uratanga amaraso, canke usaba kuba umunywanyi ngo wikingire ubuzima.

Inyigisho zindi mushobora kuzisanga ahakwirikira